REPUBLIQUE DU BURUNDI

**CABINET DU PRESIDENT**

**DECRET N°100/126 DU 18 SEPTEMBRE 2026 PORTANT VIABILISATION PAR INTEGRATION ET RESTRUCTURATION DES QUARTIERS SPONTANES**

---

**LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

Vu la Constitution de la République du Burundi ;

Vu la Loi Organique n°1/18 du 07 juin 2024 portant Réorganisation de l'Administration Communale ;

Vu la Loi n°1/6 du 20/05/1983 portant Protection du Patrimoine Culturel National ;

Vu la Loi n°1/10 du 30 mai 2011 portant Création et Gestion des Aires Protégées au Burundi ;

Vu la Loi n°1/13 du 09 août 2011 portant Révision du Code Foncier du Burundi ;

Vu la Loi n°1/02 du 26 mars 2012 portant Code de l'Eau au Burundi ;

REPUBLIKA Y'UBURUNDI

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**ITEGEKO INOMERO 100/ 126 RYO KU WA…18…..NYAKANGA 2026 RYEREKEYE UMUGAMBI WA RETA W'UGUSHIRA MU MATONGO Y'ABANTU IVYANKENERWA BIJANYE N'IBISAGARA N'UGUTUNGANYA UKUNDI AMAKARITIYE YUBATSWE AHADATUNGANIJWE**

---

**UMUKURU W'IGIHUGU,**

Yihweje Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi ;

Yihweje Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/18 ryo ku wa 07 Ruheshi 2024 riringaniza bushasha ubutegetsi mw'ikomine ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/6 ryo ku wa 20 Rusama 1983 ryerekeye ugukingira amatungo ndangakaranga y'igihugu ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/10 ryo ku wa 30 Rusama 2011 rishinga ibibanza bikingiwe mu Burundi n'ingene bitunganywa ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/13 ryo ku wa 09 Myandagaro 2011 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/02 ryo ku wa 26 Ntwarante 2012 rishinga Igitabu c'amategeko agenga amazi mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/07 du 15 juillet 2016 portant Révision du Code Forestier;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/07 ryo ku wa 15 Mukakaro 2016 risubiramwo Igitabu c'amategeko agenga amashamba ;

Vu la Loi n°1/09 du 12 août 2016 portant Code de l'Urbanisme, de l'Habitat et de la Construction au Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 12 Myandagaro 2016 rishinga Igitabu c'amategeko agenga itunganywa ry'ibisagara, uburaro n'inyubako mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/04 du 04 février 2019 portant Fixation de la Capitale Politique et de la Capitale Economique du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/04 ryo ku wa 04 Ruhuhuma 2019 rishinga Umugwa mukuru wa poritike n'Umugwa mukuru w'ubutunzi mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/09 du 25 mai 2021 portant Modification du Code de l'Environnement de la République du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 25 Rusama 2021 rihindura Igitabu c'amategeko agenga ibidukikije mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/19 du 04 août 2023 portant Modification de la Loi n°1/21 du 15 octobre 2013 portant Code Minier du Burundi ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/19 ryo ku wa 04 Myandagaro 2023 rihindura Ibwirizwa inomero 1/21 ryo ku wa 15 Gitugutu 2013 rishinga Igitabu c'amategeko agenga ubutare mu Burundi ;

Vu la Loi n°1/05 du 17 mars 2025 portant Modification de la Loi n°1/09 du 13 novembre 2020 portant Organisation Générale de l'Administration Publique ;

Yihweje Ibwirizwa inomero 1/05 ryo ku wa 17 Ntwarante 2025 rihindura Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 13 Munyonyo 2020 ritunganya muri rusangi ivyerekeye intwaro mu gihugu ;

Vu le Décret n°100/111 du 31 juillet 2000 portant Classification des Centres Urbains ;

Yihweje Itegeko inomero 100/111 ryo ku wa 31 Mukakaro 2000 rishira mu migwi ibisagara ;

Vu le Décret n°100/140 du 07 novembre 2000 portant Délimitation des Périmètres des Centres Urbains ;

Yihweje Itegeko inomero 100/140 ryo ku wa 07 Munyonyo 2000 rishinga ahagarukira uturere tw'ibisagara ;

Vu le Décret n°100/079 du 24 mai 2019 portant Création, Missions, Organisation et Fonctionnement de l'Office Burundais de l'Urbanisme, de l'Habitat et de la Construction, OBUHA en sigle ;

Yihweje Itegeko inomero 100/079 ryo ku wa 24 Rusama 2019 rishinga Ikigo c'igihugu kijejwe gutunganya ibisagara, uburaro n'inyubako, OBUHA mu mpfunyapfunyo, imirimo yaco, ingene gitunganijwe n'ingene gikora ;

Vu le Décret n°100/070 du 27 avril 2024 portant Détermination des Rôles, Attributions et Cadre Relationnel des Acteurs dans le Cadre de la Déconcentration de l'Ordonnancement ;

Vu le Décret n°100/018 du 17 septembre 2025 portant Modification du Décret n°100/002 du 05 août 2025 portant Structure, Fonctionnement et Missions du Gouvernement de la République du Burundi ;

Vu le Décret n°100/027 du 18 septembre 2025 portant Missions, Organisation et Fonctionnement du Ministère des Infrastructures, des Logements Sociaux, des Transports et de l'Equipement ;

Sur proposition du Ministre des Infrastructures, des Logements Sociaux, des Transports et de l'Equipement ;

Le Conseil des Ministres ayant délibéré ;

**DECRETE :**

## CHAPITRE I : DES DIPOSITIONS GENERALES

### Section 1 : De l'objet et du champ d'application

**Article 1 :**
Le présent décret a pour objet de définir le cadre juridique, institutionnel et technique de la viabilisation par intégration sur les terrains des particuliers et de la restructuration des quartiers spontanés dans une perspective d'un aménagement planifié et durable.

Yihweje Itegeko inomero 100/070 ryo ku wa 27 Ndamukiza 2024 rishinga ibikorwa, imirimo n'imigenderanire vy'abafatanyabikorwa mu vyerekeye ukwegereza abenegihugu inzego zitanga ububasha bw'ugusohora amafaranga ;

Yihweje Itegeko inomero 100/018 ryo ku wa 17 Nyakanga 2025 rihindura Itegeko inomero 100/002 ryo ku wa 05 Myandagaro 2025 riringaniza Reta y'Uburundi, ingene ikora n'imirimo yayo ;

Yihweje Itegeko inomero 100/027 ryo ku wa 18 Nyakanga 2025 rishinga imirimo y'Ubushikiranganji bw'inyubako, uburaro rusangi, ugutwara abantu n'ibintu hamwe n'ibikoresho, ingene butunganijwe n'ingene bukora ;

Bishikirijwe n'Umushikiranganji w'inyubako, uburaro rusangi, ugutwara abantu n'ibintu hamwe n'ibikoresho ;

Inama Nshikiranganji imaze kubica irya n'ino ;

**ASHINZE :**

## IGICE CA I : INGINGO NGENDERWAKO

### Agace ka 1 : Intumbero y'iri tegeko n'ivyo ryerekeye

**Ingingo ya 1 :**
Iri tegeko rifise intumbero yo gutomora amategeko, inzego n'ubuhinga vyerekeye umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara n'ugutunganya ukundi amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe mu ntumbero y'ukuhagirira intunganyo yisunga indinganizo kandi irama.

**Article 2 :**

Le présent décret s'applique aux opérations de viabilisation par intégration et/ou de restructuration des quartiers spontanés réalisées dans les zones suivantes :

1.° Les zones urbaines ou périurbaines à forte croissance démographique nécessitant un aménagement structuré ;

2.° Les zones non viabilisées ou partiellement équipées présentant un potentiel de développement urbain, économique ou social ;

3.° Les zones à urbaniser ou à restructurer tel que prévu dans les plans directeurs d'urbanisme et des plans communaux, provinciaux ou nationaux d'aménagement du territoire ;

4.° Les terrains morcelés, occupés ou à usage indivis se trouvant dans les zones concernées par la viabilisation par intégration;

5.° Les terres comprises dans le périmètre des circonscriptions déclarées urbaines par décret conformément aux dispositions de l'article 4, titre premier du Code Foncier du Burundi de 2011 ;

6.° Aux quartiers spontanés se trouvant dans les périmètres urbains ou non.

**Ingingo ya 2 :**

Iri tegeko rikurikizwa ku bikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara n'ugutunganya ukundi amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe canke kimwe muri ivyo birangurirwa mu turere dukurikira :

1.° Uturere turimwo ibisagara canke uturi ku nkengera y'ibisagara turangwamwo igwirirana ry'abantu ku rugero runini dukeneye gutunganywa ku buryo bubereye;

2.° Uturere tutashizwemwo ivyankenerwa bijanye n'igisagara canke twashizwemwo ivyankerwa bidakwiye tugaragara ko dushobora kuvamwo ibisagara, gutera imbere mu vy'ubutunzi canke imibano ;

3.° Uturere tugenewe gushirwamwo ibisagara canke gutunganywa ukundi nk'uko bitegekanijwe mu ndinganizo ngenderwako z'itunganywa ry'ibisagara n'indinganizo z'itunganywa ry'amatongo mu makomine, mu ntara no mu gihugu ;

4.° Amatongo yamanyaguwe, yubatswe canke amatongo rusangi akorerwamwo atagabuwe ari mu turere twerekewe n'ibikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara;

5.° Amatongo ari mu karere kagizwe n'ibibanza vyatangajwe n'itegeko ry'Umukuru w'igihugu ko biri mu gisagara hisunzwe ibitegekanijwe n'ingingo ya 4, ikigabane ca mbere c'Igitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi co mu 2011 ;

6.° Amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe ari canke atari mu turere tw'ibisagara .

**Article 3 :**
Les opérations peuvent être initiées par :

1.° L'autorité administrative compétente ;
2.° Les propriétaires ou habitants regroupés ;
3.° Les collectivités locales ;
4.° Les Services de l'Etat concernés.

**Section 3 : Des définitions et des objectifs poursuivis**

**Article 4 :**
Aux termes du présent décret, on entend par :

1. **Viabilisation par intégration** : un processus par lequel plusieurs propriétaires fonciers à travers une démarche volontaire ou encadrée confient la gestion de leurs terrains à une autorité habilitée pour la réalisation d'infrastructures de base en l'occurrence la voirie, les infrastructures d'alimentation en eau potable et en électricité, les infrastructures d'assainissement et les infrastructures de télécommunications ;

2. **Quartier spontané** : ensemble d'habitations construites sans autorisation préalable ni planification urbaine, souvent dépourvues d'infrastructures de base notamment la voirie, les infrastructures d'alimentation en eau potable et en électricité, les infrastructures d'assainissement et de télécommunications ;

3. **Restructuration** : opération d'aménagement urbain ou des centres à vocation urbaine consistant à réorganiser une agglomération ou un quartier précaire et informel en modifiant la composition et

**Ingingo ya 3 :**
Ibikorwa bishobora gutegurwa na :

1.° Ubutegetsi mu ntwaro bubifitiye ububasha ;
2.° Bene amatongo canke abantu baba hamwe;
3.° Inzego z'intwaro z'intango ;
4.° Ibisata vya Reta vyerekewe.

**Agace ka 3 : Insiguro y'amajambo n'intumbero**

**Igingo ya 4 :**
Muri iri tegeko, aya majambo asigura :

1. **Umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara** ni ingene bene amatongo benshi, bivuye ku gushaka kwabo canke bavyigishijwe bashinga itunganywa ry'amatongo yabo ubutegetsi bubifitiye ububasha kugira buhashire inyubako zankenerwa nk'amabarabara, inyubako z'ugukwiragiza amazi anyobwa n'umuyagankuba, inyubako zijanye n'isukura n'inyubako z'ugutumatumanako;

2. **Ikaritiye yubatswe ahadatunganijwe** ni amazu y'uburaro ari hamwe yubatswe ata ruhusha rubanje gutangwa kandi ata n'indinganizo y'ico gisagara ihari, kenshi ntihaba hariho inyubako zankenerwa nk'amabarabara, inyubako z'ugukwiragiza amazi anyobwa n'umuyagankuba, inyubako zijanye n'isukura n'inyubako z'ugutumatumanako ;

3. **Ugutunganya ukundi** ni igikorwa c'ugutunganya ibisagara canke ibibanza bishobora kuba ibisagara cerekeye gutunganya gushasha ahantu haba abantu benshi canke ikaritiye yubatswe mu buryo budashemeye kandi butisunze

l'agencement de leurs éléments. Le but poursuivi est surtout de relier les rues existantes pour former des îlots desservis, tout en aménageant des voiries et des caniveaux pour l'évacuation des eaux pluviales, protégeant ainsi les rues contre l'érosion ;

4. **Centre urbain :** Agglomération reconnue officiellement par les textes légaux et réglementaires comme espace urbanisé, caractérisée par une concentration relativement élevée de la population, des activités économiques, administratives et sociales, ainsi que par la présence d'infrastructures et d'équipements collectifs de base tels que la voirie, l'eau potable, l'électricité, l'assainissement, les services de transport, les établissements scolaires, sanitaires et commerciaux. Le centre urbain se distingue également par l'existence ou la nécessité d'un encadrement par les outils de planification urbaine et d'aménagement du territoire ;

5. **Centre à vocation urbaine :** agglomération ou un espace en mutation présentant des caractéristiques potentielles d'urbanisation, nécessitant un aménagement structuré et progressif en infrastructures et équipements urbains de base tels que la voirie, l'eau, l'électricité, l'assainissement, les télécommunications, les marchés, les écoles et les services publics.

amategeko mu guhindura ibiyigize canke ingene vyari bimeze. Intumbero ikaba canecane iyo guhuza amabarabara y'imigenderanire ahasanzwe kugira habe utuzinga tw'amazu dufise isohokero, hakanashirwaho amabarabara n'imigende itwara amazi y'imvura, gutyo igakingira inkukura amabarabara y'imigenderanire;

4. **Igisagara** ni ahantu haba abantu benshi hemejwe n'amabwirizwa n'amategeko ko ari akarere kagizwe igisagara, harangwa n'uko haba abantu batari bake, harangurirwa ibikorwa vy'ubutunzi, ivy'intwaro n'ivy'imibano, hamwe n'ukuba hariho inyubako n'ibikoresho rusangi vyankenerwa nk'amabarabara, amazi anyobwa, umuyagankuba, ivyerekeye isukura, uburyo bw'ukwiyunguruza, amashure, amavuriro n'inyubakwa z'ubudandaji. Igisagara kirangwa kandi n'uko hariho canke hakenewe uburyo bw'ugutunganya iterambere ryaco hisunzwe amategeko y'intunganyo y'ibisagara n'amatongo hamwe n'ibindi bikurikizwa;

5. **Ikibanza gishobora kuba igisagara** ni ahantu haba abantu benshi canke hariko haratera imbere hakagaragara ko hashobora kuba igisagara, hakaba hakenewe kuja haratunganywa uko haja haraguka hisunzwe indinganizo y'ibisagara mu bijanye n'inyubako n'ibikoresho vyankenerwa bijanye n'ibisagara nk'amabarabara, amazi anyobwa, umuyagankuba, ivyerekeye isukura, ugutumatumanako, amasoko, amashure n'ibisata vya Reta.

**Article 5 :**
Le présent décret vise les objectifs suivants :

1.° Réorganiser l'espace urbain ou à vocation urbaine occupé de manière anarchique et les constructions non conformes aux plans d'aménagements du territoire ;

2.° Prévenir l'extension des quartiers non planifiés en assurant l'accès aux infrastructures et services essentiels de base entre autres la Voirie, l'assainissement, l'eau et l'électricité ;

3.° Augmenter le taux d'urbanisation par un réaménagement structuré et de qualité ;

4.° Favoriser un aménagement cohérent et planifié des zones urbaines, périurbaines, à vocation urbaine ou rurales en voie d'urbanisation, en conformité avec les plans directeurs ou les schémas d'aménagement en vigueur ;

5.° Mettre en place les infrastructures de base nécessaires au développement harmonieux tel que la voirie, les réseaux d'eau et d'électricité, d'assainissement et de télécommunication dans les quartiers qui n'en disposent pas ;

6.° Rationnaliser l'utilisation du sol à travers l'intégration volontaire ou encadrée des terres morcelées ou mal desservies ;

**Ingingo ya 5 :**
Iri tegeko rifise intumbero zikurikira :

1. Gutunganya gushasha ikibanza kirimwo igisagara canke gishobora kuba igisagara cubatswemwo ata ndinganizo yisunzwe n'ivyubatswe hatisunzwe indinganizo z'itunganywa ry'amatongo ;
2. Gukinga ko amakaritiye yubatswe atubahirije indinganizo y'ibisagara yaguka mu gushiraho inyubako n'ivyankenerwa nyamukuru nk'amabarabara, ibijanye n'isukura, amazi n'umuyagankuba ;
3. Kwongereza urugero rw'ugutegura ibisagara mu gutunganya ukundi uturere mu buryo bwisunze indinganizo y'ibisagara kandi bubereye ;
4. Gushira imbere itunganywa riroranye kandi riteguwe neza ry'uturere tw'ibisagara, uturi ku nkengera y'ibisagara, udushobora kuba ibisagara canke utw'ahatari mu bisagara turiko turacika ibisagara, hisunzwe indinganizo ngenderwako canke integuro z'itunganywa ry'amatongo zisanzwe zikurikizwa ;
5. Gushiraho inyubako zankenerwa zikenewe mw'iterambere riroranye nk'amabarabara, imihora y'amazi n'iy'umuyagankuba, iyijanye n'isukura n'ugutumatumanako mu makaritiye atabifise ;
6. Gukoresha mu buryo bubereye amatongo yamanyaguwe canke atagira isohokero ku gushaka kwa beneyo canke biciye mu nyigisho ;

7.° Sécuriser les droits fonciers des occupants légitimes ;

8.° Promouvoir l'accès à un habitat décent, notamment par la mise à la disposition des terrains viabilisés, en vue de la construction des logements sociaux, d'équipements publics ou des projets d'investissement ;

9.° Promouvoir l'inclusion sociale et la cohésion urbaine ;

10.° Encourager les investissements publics et privés en créant des zones aménagées attractives pour le développement économique et social ;

11.° Renforcer la gouvernance foncière à travers un processus transparent participatif et légalement encadré.

7. Gukingira uburenganzira kw'itongo bw'abayabamwo bemewe n'amategeko ;

8. Kworohereza abantu kuronka uburaro bubereye, nko mu kubaha amatongo yashizwemwo ivyankenerwa bijanye n'igisagara, mu ntumbero y'ukwubaka uburaro rusangi, ibikoresho rusangi canke kuharangurira imigambi y'iterambere ;

9. Guteza imbere ingendo y'ukutarenganya n'ugufata kumwe ababa mu gisagara ;

10. Guhimiriza ishingwa ry'imigambi y'iterambere ya Reta n'iy'abikorera utwabo mu gushiraho uturere dutunganijwe dukwegakwega abagwizatunga mu ntumbero y'uguteza imbere ubutunzi n'imibano ;

11. Gutsimbataza itunganywa ry'amatongo ribereye biciye mu gukorera ku mugaragaro abo vyega bose babigizemwo uruhara kandi bigakorwa hisunzwe amategeko.

## CHAPITRE II : DE LA PROCEDURE DE VIABILISATION PAR INTEGRATION OU DE LA RESTRUCTURATION DES QUARTIERS SPONTANES

### Section 1 : Des structures de mise en œuvre et leurs missions

**Article 6 :**
Les structures intervenant dans la mise en œuvre des opérations de viabilisation par intégration ou de restructuration des quartiers spontanés sont :

1.° Le (les) Ministère(s) ayant l'Urbanisme et les logements sociaux dans ses (leurs) attributions ;

2.° Le Ministère ayant l'environnement et l'aménagement du territoire dans ses attributions ;

3.° Le ministère ayant l'intérieur et la sécurité publique dans ses attributions ;

4.° Le (les) Ministère(s) ayant la gestion démographique dans ses (leurs) attributions ;

5.° Le Ministère ayant les mines et carrières dans ses attributions ;

6.° Les Institutions publiques ou privées intéressées par ce volet.

## IGICE CA II : IVYEREKEYE UMUGAMBI WA RETA W'UGUSHIRA MU MATONGO Y'ABANTU IVYANKENERWA BIJANYE N'IBISAGARA CANKE UGUTUNGANYA UKUNDI AMAKARITIYE YUBATSWE AHADATUNGANIJWE

### Agace ka 1 : Inzego zibishira mu ngiro hamwe n'imirimo yazo

**Ingingo ya 6 :**
Inzego zifise uruhara mw'ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ugutunganya ukundi amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe ni:

1.° Ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo Itunganywa ry'ibisagara n'uburaro rusangi;

2.° Ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo ibidukikije n'itunganywa ry'amatongo;

3.° Ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo intwaro yo hagati mu gihugu n'umutekano;

4.° Ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo ugutunganya ibijanya n'igwirirana ry'abantu;

5.° Ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo ubutare n'amakariyeri;

6.° Ibisata vya Reta canke ivy'abikorera utwabo bifise inyungu muri ivyo bikorwa.

**Article 7 :**
Les structures telles que décrites à l'article 6 du présent décret ont pour missions de :

1.° Préparer et animer les thématiques en rapport avec le projet de viabilisation par intégration ou de restructuration ;

2.° Suivre le processus des formalités administratives et judiciaires prescrites par la règlementation au Burundi ;

3.° Procéder à l'enquête foncière pour les sites sujets à la viabilisation par intégration ou les quartiers sujets à la restructuration ainsi qu'au montage technique et financier de l'opération ;

4.° Préparer les dossiers des projets de viabilisation par intégration ou de restructuration à soumettre au Conseil des Ministres ;

5.° Veiller à la mise en place du site de délocalisation temporaire de la population propriétaire des terrains sujets à la viabilisation par intégration ;

6.° Assumer toute autre tâche en matière d'acquisition, d'exploitation des terrains acquis par l'opération de viabilisation par intégration ou de restructuration.

**Ingingo ya 7:**
Ibisata bidondaguwe mu ngingo ya 6 y'iri tegeko bifise imirimo yo:

1.° Gutegura no kwigisha ivyiyumviro nshimikiro bijanye n'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ukuyatunganya ukundi;

2.° Gukurikirana ibikenewe mu bijanye n'intwaro n'ubutungane bitegekanijwe n'amategeko y'Uburundi ;

3.° Kugira itohoza ryerekeye amatongo yo mu bibanza vyerekewe n'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke amakaritiye agenewe gutunganywa ukundi hamwe n'ugutunganya ibijanye n'ubuhinga n'amafaranga bijanye n'ico gikorwa;

4.° Gutegura amadosiye y'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ukuyatunganya ukundi yo gushikiriza Inama Nshikiranganji;

5.° Kwitwararika ko hashirwaho ikibanza co gushiramwo ivy'imfatakibanza abanyagihugu bene amatongo yerekewe n'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara ;

6.° Gukora ikindi gikorwa cose kijanye n'ukuronka amatongo, ugukoresha amatongo umuntu yaronse biciye mu bikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara n'ukuyatunganya ukundi.

## Section 2 : Du financement

**Article 8 :**
Le financement des opérations de viabilisation par intégration ou de restructuration des quartiers spontanés peut être assuré par :

1.° Le budget général de l'Etat et/ou les budgets des Communes ;

2.° Les bénéficiaires directs par leur participation selon une clé de répartition définie dans la convention ;

3.° Les promoteurs immobiliers ou autres partenaires techniques et financiers ;

4.° Les mécanismes de financement innovants tels que les partenariats public-privé, les subventions, etc.

**Article 9 :**
Pour le quartier ou la zone concerné par la restructuration ou la viabilisation par intégration, un compte bancaire pour la collecte et la gestion des fonds est créé et géré par un comité ad hoc.

**Article 10 :**
Pour la restructuration des quartiers, l'Etat commence les travaux qui lui reviennent quand les habitants d'une avenue ont donné leur contribution.

## Agace ka 2 : Ahava uburyo bukoreshwa

**Ingingo ya 8 :**
Uburyo bukoreshwa mu bikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ugutunganya ukundi amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe bushobora kuva:

1.° Mu mafaranga Reta itegekanya gukoresha ku mwaka n'amafaranga ategekanirizwa amakomine canke amwe muri ayo;

2.° Mu mafaranga atangwa na bene kurangurirwa ibikorwa hisunzwe igabanganywa rifatirwako ryatomowe mu masezerano;

3.° Mu bashinzwe ibikorwa vyerekeye ibitimuka canke abandi bafashanyabikorwa mu bijanye n'ubuhinga n'amafaranga;

4.° Mu buryo bw'ugutanga amafaranga y'imigambi mishasha nk'amasezerano y'ugufashanya hagati ya Reta n'abikorera utwabo, imfashanyo n'ibindi.

**Ingingo ya 9:**
Kw'ikaritiye canke izone yerekewe n'ugutunganywa ukundi canke n'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara, ikonte y'ukwegeranirizwako no gutunganirizwako amafaranga irugururwa mw'ibanki kandi igatunganywa na komite ishiriweho ico.

**Ingingo ya 10:**
Mu gutunganya amakaritiye ukundi, Reta itangura ibikorwa biyerekeye ari uko ababa kw'ibarabara bamaze gutanga intererano yabo.

**Article 11 :**
Pour les travaux de restructuration des quartiers, après un certain seuil de contribution jugé suffisant, un consensus est établi entre les intervenants pour débuter les travaux dans une période raisonnable.

**Ingingo ya 11 :**
Mu bikorwa vy'ugutunganya amakaritiye ukundi, hamaze gutangwa intererano ifatwa ko ikwiye, haca haba umwumvikano hagati y'ababifisemwo uruhara kugira hatangure ibikorwa mu kiringo kigereranye.

**Article 12 :**
Une dotation annuelle pour la viabilisation par intégration ou pour la restructuration des quartiers spontanés est prévue au niveau du Ministère en charge des Infrastructures.

**Ingingo ya 12 :**
Amafaranga yo ku mwaka ku mwaka agenewe umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ugutunganya ukundi amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe arategekanijwe mu Bushikiranganji muvyo bujejwe harimwo inyubako.

**Article 13 :**
Les bénéficiaires du projet de restructuration participent à la hauteur du coût des travaux réalisés sur leur superficie de bord concernée par les infrastructures d'assainissement.
Le niveau de contribution des bénéficiaires est déterminé par une ordonnance ministérielle.

**Ingingo ya 13 :**
Bene kurangurirwa umugambi w'ugutunganya ukundi amakaritiye baterera amafaranga hafatiwe ku giciro c'ibikorwa vyaranguwe ku buringanire bwo ku mpera y'itongo bwerekewe n'inyubako zijanye n'isukura.
Urugero bene kurangurirwa umugambi batangako intererano rutomorwa n'itegeko nshikiranganji.

**Article 14 :**
Chaque bénéficiaire de la viabilisation par intégration ou de restructuration d'un quartier doit contribuer proportionnellement au prorata de sa superficie pour les travaux d'aménagement et d'assainissement.

**Ingingo ya 14 :**
Uwo wese arangurirwa umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ugutunganya ukundi amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe ategerezwa gutanga intererano hafatiwe ku buringanire bw'itongo ryiwe ku bikorwa vy'ugutunganya amatongo n'ivy'isukura.

**Article 15 :**
L'Etat intervient pour les travaux de grande envergure, notamment les grands caniveaux collecteurs ou des ponts et d'autres infrastructures telle que jugée par les responsables administratifs locaux et/ou ministériels.

**Ingingo ya 15 :**
Reta ikora ibikorwa bisaba uburyo bunini cane, nk'imigende minini yegeranirizwamwo imyanda canke ibiraro n'izindi nyubako nk'uko abajejwe intwaro mu nzego z'intango no mu bushikiranganji canke bamwe muri abo babona vyogenda.

**Article 16 :**
Les structures administratives locales au niveau de la commune et de la province en collaboration avec les commissions provinciale et communale d'urbanisme, de l'habitat et de la construction sont chargées de faire l'identification de toutes zones objet de la restructuration et la viabilisation par intégration.

**Article 17 :**
L'Etat peut, si les conditions du marché des capitaux l'exigent, se porter caution simple de prêts hypothécaires, dans les cas suivants :

1.° Processus de viabilisation par intégration ou de restructuration des quartiers spontanés ;

2.° Mise en place des logements préfabriqués pour délocaliser temporairement les propriétaires des terrains faisant objet de viabilisation par intégration et surtout dans les parages du site ;

3.° Valoriser les biens immeubles autres que le foncier.

L'Etat peut également se porter caution simple de crédits d'urbanisation consentis sur des zones adéquates admises au bénéfice du présent décret ou sur des terres de collectivités remplissant les conditions.

**Article 18 :**
La durée des engagements de l'Etat, au titre du cautionnement est fixée dans les conventions.

**Ingingo ya 16 :**
Inzego z'intwaro z'intango ku rwego rw'ikomine n'urw'intara zifadikanije n'imigwi ijejwe itunganywa ry'ibisagara, uburaro n'inyubako mu ntara no mw'ikomine bijejwe gutororokanya uturere twogutunganya ukundi n'utwerekewe n'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara.

**Ingingo ya 17 :**
Reta irashobora, iyo ibisabwa kw'isoko ry'imitahe bibitegereza, kwishinga bisanzwe ku ngurane zitangirwa ingwati, mu bihe bikurikira:

1.° Ku bijanye n'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ugutunganya ukundi amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe;

2.° Gushiraho uburaro mvanganda kugira bushirwemwo ivy'imfatakibanza bene amatongo yerekewe n'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara hamwe na canecane abegereye ico kibanza;

3.° Guha agaciro amatungo atimuka atari amatongo.

Reta irashobora kandi kwishinga bisanzwe ku madeni y'ugutegura ibisagara yasabiwe uturere tubereye twemewe hisunzwe iri tegeko canke amatongo y'inzego z'intwaro zikwije ibisabwa.

**Ingingo ya 18 :**
Ikiringo c'ivyo Reta yiyemeje, ku bijanye n'ubwishingizi kirashirwa mu masezerano.

**Article 19 :**
Les investisseurs peuvent injecter des fonds dans les travaux du genre. En contrepartie, ces investisseurs reçoivent des terrains à vendre selon des modalités bien prédéfinies, ce qui leur permet de récupérer leur investissement et de générer un bénéfice.

**Ingingo ya 19 :**
Abagwizatunga barashobora gushira amafaranga mu bikorwa nk'ivyo. Ku bera ivyo, abo bagwizatunga baca baronswa amatongo y'ukugurisha hisunzwe ibikurikizwa vyatomowe, bigatuma bisubiza amafaranga bakoresheje kandi bakaronka n'inyungu.

**Section 3 : De la procédure des opérations**

**Agace ka 3 : Ibikurikizwa bijanye n'ibikorwa**

**Article 20 :**
Les zones cibles sont définies par les outils de planification urbaine comme le schéma directeur d'aménagement et d'urbanisme. Les communes ou l'institution en charge de l'urbanisme doivent toujours se référer aux documents officiels de planification urbaine quels que soient les besoins de développement, de densité urbaine ou de projets d'investissement.

**Ingingo ya 20 :**
Uturere twerekewe n'umugambi turatomorwa n'amategeko y'intunganyo y'ibisagara n'amatongo hamwe n'ibindi bikurikizwa nk'integuro yerekana uko amatongo n'ibisagara bitunganywa. Amakomine canke ibisata bijejwe itunganywa ry'ibisagara bitegerezwa kwama vyisunga inzandiko zemewe zisungwa mu gutunganya ibisagara hatarabwe ibikenewe mw'iterambere, uko ababa mu gisagara bangana canke imigambi y'iterambere.

**Article 21 :**
L'autorité compétente porte à la connaissance du public, par des moyens reconnus par la loi, de l'existence du projet de viabilisation par intégration et/ou de restructuration ; de sa nature, de son étendue, aux fins de recueillir toute information utile liée à cette opération.

**Ingingo ya 21 :**
Umutegetsi abifitiye ububasha aramenyesha bose, abicishije mu buryo bwemewe n'amategeko, ko hari umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara n'ugutunganya ukundi amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe canke kimwe muri ivyo; ubwoko bwawo, uko ungana, kugira aronke amakuru yose akenewe ajanye n'ico gikorwa.

**Article 22 :**
La population propriétaire des terrains est impliquée dans tout le processus et doit être réintégrée dans le site nouvellement viabilisé. Il en est de même pour les habitants des quartiers spontanés lors de la restructuration.

**Ingingo ya 22 :**
Abanyagihugu bene amatongo baba bafise uruhara mu bijanye n'uwo mugambi wose kandi bagategerezwa kuronka mu kibanza cashizwemwo ivyankenerwa. Ni co kimwe n'ababa mu makaritiye yubatswe ahadatunganijwe mu gihe habaye ukuyatunganya ukundi.

Les propriétaires concernés doivent consentir à l'intégration de leurs terrains par signature d'une convention d'intégration foncière ou d'adhésion au projet. Une concertation préalable est obligatoire.

Bene amatongo vyerekeye bategerezwa kuba bemeye ko amatongo yabo ashirwa mu mugambi w'ukuyashiramwo ivyankenerwa biciye mu gushira umukono ku masezerano y'ugushira amatongo yabo muri uwo mugambi canke yo kwinjira mu mugambi. Hategerezwa kubanza kuba ukuja inama n'ingingo.

**Article 23 :**
A la signature de la convention, tous les droits sur les terrains faisant objet du projet de viabilisation ou de restructuration sont renoncés afin d'uniformiser les statuts des terres faisant partie du site à viabiliser.

**Ingingo ya 23 :**
Amasezerano ashizweko umukono, uburenganzira ku matongo yerekewe n'umugambi wo kuyashiramwo ivyankenerwa canke wo kuyatunganya ukundi burahebwa kugira amatongo ari mu kibanza gishirwamwo ivyankenerwa afatwe kumwe.

Toutefois, les propriétaires des terrains jouissent des biens autres que le foncier. Ces derniers peuvent être récupérés par les propriétaires ou peuvent être indemnisés.

Ariko, bene amatongo baguma bakoresha ayandi matungo ahari kiretse amatongo. Ayo matungo arashobora gusubira mu minwe ya bene amatongo canke bagashobora guhabwa umuzibukiro.

**Article 24 :**
Après le déclenchement de la viabilisation par intégration, la vente, les transactions foncières sont interdites conformément à l'article 457 du code foncier du Burundi.

**Ingingo ya 24 :**
Hamaze gutangura ibikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara, ukugurisha, uguhanahana amatongo birabujijwe hisunzwe ingingo ya 457 y'Igitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi.

**Article 25 :**
Toutes les servitudes faisant objet d'utilité des services publics avant l'opération de la viabilisation par intégration constituent exclusivement le patrimoine de l'Etat en vertu de l'article 108 du Code Foncier.

**Ingingo ya 25 :**
Ingabanyabubasha zikoreshwa ku neza y'ibisata vya Reta ibikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara bitaratangura zica ziba mu matungo yiganziwe na Reta hisunzwe ingingo ya 108 y'Igitabu c'amategeko agenga amatongo.

**Article 26 :**
L'autorité procède aux travaux de viabilisation ou de restructuration qui incluent, notamment :

1.° L'élaboration d'un plan d'aménagement de viabilisation ou de restructuration ;

2.° La mobilisation des financements ;

3.° L'exécution des travaux par la mise en place d'infrastructures de base (voirie, eau, électricité, assainissement, télécommunications, etc.) ;

3.° La régularisation foncière si obligatoire.

**Article 27 :**
Le dossier technique complet du projet de viabilisation ou de restructuration doit comprendre les éléments suivants :

1.° Le rapport d'enquête foncière et sociale;

2.° Le montage technique et financier du projet par les services techniques du Ministère ayant l'Urbanisme dans ses attributions

3.° L'avis de la Commission Foncière Nationale ;

4.° La proposition de convention d'intégration foncière ou d'adhésion au projet ;

**Ingingo ya 26 :**
Umutegetsi abijejwe arangura ibikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ukuyatunganya ukundi birimwo canecane :

1.° Ugutegura indinganizo yerekana ingene amatongo ashirwamwo ivyankenerwa canke ingene atunganywa ukundi ;

2.° Kurondera ahava uburyo ;

3.° Ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa biciye mu gushiraho inyubako zankenerwa (ibarabara, amazi, umuyagankuba, izijanye n'isukura, ugutumatumanako, n'ibindi.) ;

4.° Ukuriha amafaranga ajanye n'amatongo iyo bitegerejwe.

**Ingingo ya 27 :**
Idosiye yerekeye ubuhinga ikwiye y'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ukuyatunganya ukundi itegerezwa kuba irimwo ibintu bikurikira :

1.° Icegeranyo c'itohoza ryerekeye amatongo n'ikibano ;

2.° Itunganywa ry'ibijanye n'ubuhinga n'amafaranga vy'umugambi rigirwa n'ibisata vy'ubuhinga vy'Ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo itunganywa ry'ibisagara.

3.° Ico Umugwi w'igihugu ujejwe amatongo washikirije ;

4.° Integuro y'amasezerano y'ugushira ivyankenerwa mu matongo canke mu kwinjira mu mugambi ;

| | |
|---|---|
| 5.° Le plan d'aménagement du site ou de restructuration du quartier. | 5.° Indinganizo yerekana ingene ikibanza kizotunganywa canke ingene ikaritiye izotunganywa ukundi. |
| **Section 4 : Du suivi et contrôle des opérations** | **Agace ka 4 : Ugukurikiranira hafi ibikorwa hamwe n'ukubisuzuma** |
| **Article 28 :**<br>Une Commission technique de suivi et contrôle des opérations composées des représentants de tous les intervenants veille à la mise en œuvre transparente et équitable du processus. | **Ingingo ya 28 :**<br>Umugwi w'ubuhinga ujejwe ugukurikiranira hafi ibikorwa hamwe n'ukubisuzuma ugizwe n'abaserukira abafise uruhara mw'ishirwa mu ngiro ry'umugambi ribera ku mugaragaro kandi atawe rirenganya. |
| **Section 5 : De la démolition des maisons lors de la viabilisation par intégration ou de la restructuration** | **Agace ka 5 : Ukubomora amazu mu gihe c'ugushira ivyankenerwa mu makaritiye biciye mu guha ububasha ababijejwe ngo bayatunganirize hamwe canke bayatunganye ukundi** |
| **Article 29 :**<br>En cas de force majeure, des maisons se trouvant dans la zone du projet peuvent être démolies. Elles doivent ainsi subir une étude pour établir leurs valeurs d'expertise.<br><br>La valeur d'expertise doit spécifier le type de construction, l'utilisation de la maison, la condition de la maison ainsi que l'aire bâtie. | **Ingingo ya 29 :**<br>Mu gihe habaye intambamyi ntarengwa, amazu ari mu karere k'umugambi arashobora kubomorwa. Ategerezwa kugirirwa ivyigwa kugira hashingwe agaciro kayo biciye ku muhinga.<br><br>Agaciro gashingwa n'umuhinga gategerezwa gutomora ubwoko bw'inzu, ico inzu yakoreshwa, uko yari imeze hamwe n'uburinganire yubatswemwo. |
| **Article 30 :**<br>Dans certains cas, des quartiers entiers peuvent être démolis si l'habitat est jugé insalubre ou inadapté et remplacés par de nouvelles constructions ou des espaces verts. | **Ingingo ya 30:**<br>Mu bihe bimwebimwe, amakaritiye yose arashobora kubomorwa iyo uburaro biboneka ko budasukuye canke butabereye bugasubirizwa n'inyubakwa nshansha canke ibibanza bitotahaye vyo mu bisagara. |
| **Article 31 :**<br>Le propriétaire dont la maison est démolie en application des articles 29 et 30 du présent décret doit bénéficier d'une indemnisation qui est fixée suivant la valeur de la maison démolie. | **Ingingo ya 31 :**<br>Nyene inzu yabomowe hisunzwe ingingo ya 29 n'iya 30 z'iri tegeko ategerezwa kuronswa umuzibukiro ushingwa hafatiwe ku gaciro k'inzu yabomowe. |

**Article 32 :**
L'indemnisation est versée aux ayants droit avant l'aménagement proprement dit du site.

**Article 33 :**
L'État, si les conditions du projet l'exigent, peut construire des maisons préfabriquées pour abriter temporairement les ménages qui seront délocalisés pendant les travaux.

Les ménages délocalisés reçoivent une assurance écrite de retourner sur le site après l'achèvement des travaux, sur les parcelles qui leur seront réattribuées selon les quotas convenus.

**Section 6 : De la méthodologie d'évaluation des biens affectés et d'estimation des taux de compensation**

**Article 34 :**
La valeur de compensation ou d'indemnisation est négociée avec les personnes affectées (soit en nature, en argent ou en assistance).

**Article 35 :**
Une unité de coordination du projet du Ministère en charge de l'Urbanisme assure la responsabilité de la préparation, de mise en œuvre et du suivi du Cadre de Politique de Réinstallation (CPR) et du Plan d'Action de Réinstallation (PAR).

**Section 7 : De la régularisation foncière**

**Article 36 :**
Une fois les terrains aménagés, ils sont redistribués aux propriétaires selon leur quotepart initiale ajustée aux aménagements réalisés.

**Ingingo ya 32 :**
Amafaranga y'umuzibukiro ahabwa abafise uburenganzira ku matungo ya nyene inzu imbere y'uko ico kibanza gitunganywa.

**Ingingo ya 33 :**
Reta, iyo ibisabwa ku mugambi bibitegereza, irashobora gushiraho amazu mvanganda kugira abe arakira ivy'imfatakibanza imiryango izokurwa mu mazu ighe ibikorwa bizoba biriko birarangurwa.
Imiryango yakuwe mu mazu iraronswa urwandiko rwemeza ko izosubira mu kibanza yahoramwo ibikorwa bimaze kurangira, ku matongo bazohabwa ku rugero bumvikanye.

**Agace ka 6 : Ubuhinga bw'ugusuzuma amatungo yabangamiwe n'ibikorwa no gushinga urugero kw'ijana rw'indishi**

**Ingingo ya 34 :**
Agaciro k'indishi canke k'umuzibukiro kumvikanwa n'abantu babangamiwe n'ibikorwa (mu bintu, mu mafaranga canke nk'imfashanyo).

**Ingingo ya 35 :**
Umugwi w'Ubushikiranganji bujejwe ugutunganya ibisagara w'uguhuza ibikorwa vy'umugambi ushinzwe ugutegura, ugushira mu ngiro no gukurikiranira hafi poritike y'ugusubiza mu ngo abazivanywemwo hamwe n'indinganizo y'ibikorwa y'ugusubiza mu ngo abazivanywemwo.

**Agace ka 7 : Ukuriha amafaranga ajanye n'amatongo**

**Ingingo ya 36:**
Amatongo amaze gutunganywa, aca asubira kugabanganirizwa beneyo hisunzwe uburinganire bari bafise ubwa mbere buroranishijwe n'ibikorwa vy'itunganywa ry'amatongo vyaranguwe.

**Article 37 :**
Le coût réel des opérations est déterminé après l'opération de viabilisation par les services techniques du Ministère ayant l'Urbanisme dans ses attributions.

Le coût final d'acquisition des parcelles doit être juste et abordable et doit refléter la qualité et la complétude des aménagements réalisés après viabilisation. Il est déterminé en tenant compte du coût total des travaux de viabilisation.

Le coût foncier d'une parcelle viabilisée est fixé en mètre carré par ordonnance ministérielle, en fonction du coût réel du projet.

**Article 38 :**
L'attribution des parcelles aux propriétaires ne tient pas compte de leur localisation initiale.

**Article 39 :**
La partie qui revient à l'Etat et/ou l'institution qui a financé les travaux est en îlots et peut constituer un domaine pour la promotion du logement et d'autres projets d'intérêt public.

**Article 40 :**
La viabilisation par intégration ou la restructuration des quartiers spontanés doit veiller au respect des terrains dédiés aux équipements publics et aux espaces verts.

**Ingingo ya 37 :**
Igiciro nyakuri c'ibikorwa vyaranguwe gishingwa n'ibisata bijejwe ivyerekeye ubuhinga vy'Ubushikiranganji mu vyo bujejwe harimwo itunganywa ry'ibisagara, igikorwa c'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara kimaze kurangira.

Igiciro ca nyuma ibibanza vyo kwubakamwo bitangwako gitegerezwa kuba gikwiranye kandi kitavuna kandi gitegerezwa kugaragara ko gihuye n'ingene ibikorwa vyaranguwe bimeze kandi vyose, ibikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara bimaze kurangira. Gishingwa hafatiwe ku giciro cose hamwe c'ibikorwa vy'ukuhashira ivyankenerwa.

Igiciro c'ikibanza co kwubakamwo cashizwemwo ivyankenerwa gishingwa ku metero kwadarato biciye mw'itegeko nshikiranganji, hafatiwe ku giciro nyakuri c'uwo mugambi.

**Ingingo ya 38 :**
Itangwa ry'ibibanza vyo kwubakamwo kuri bene amatongo ntiryisunga aho amatongo yabo yari ari.

**Ingingo ya 39 :**
Igice c'itongo gitwarwa na Reta n'igisata catanze uburyo bwakoreshejwe mu bikorwa canke kimwe muri ivyo gishirwa ukwaco kigashobora gukoreshwa mu bijanye n'uguteza imbere uburaro n'iyindi migambi yerekeye ineza ya bose.

**Ingingo ya 40 :**
Umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ugutunganya ukundi amakaritiye yubatswe ahadatunganijwe utegerezwa kwubahiriza ibibanza bigenewe ivyubakwa rusangi n'ibibanza vyo gusamiramwo akayaga.

**Article 41 :**
Les parcelles à usage d'habitation ne peuvent plus faire objet de morcellement sauf les terres appartenant aux propriétaires moyennant respect du règlement d'occupation du site concerné.

**Article 41 :**
Ibibanza bigenewe kwubakwamwo ntibiba bigishobora kumanyagurwa kiretse amatongo yegukira abantu hubahirijwe itegeko rigenga iyubakwa ry'ikibanza vyerekeye.

**Section 8 : De la gestion du site après les opérations d'aménagement ou de restructuration**

**Agace ka 8 : Itunganywa ry'itongo harangiye ibikorwa vy'ukuhatunganya canke vy'ugutunganya ukundi amakaritiye**

**Article 42 :**
Un site viabilisé par intégration ou un quartier restructuré doit se conformer au Plan Local d'Urbanisme. Le Plan Local d'Urbanisme précise les modalités d'affectation, de la mise en valeur ou d'exploitation et des prescriptions de nature à assurer une bonne utilisation des terres.

**Ingingo ya 42 :**
Itongo ryaranguriwemwo ibikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ugutunganya ukundi ikaritiye ritegerezwa kwisunga Indinganizo y'akarere y'ugutunganya amatongo. Indinganizo y'akarere y'ugutunganya amatongo iratomora ibikurikizwa mu gushinga ico amatongo agenerwa, mu kuyubakamwo canke mu kuyakoresha n'ibijanye n'uguta igihe kwavyo bishobora gutuma amatongo akoreshwa neza.

**Article 43 :**
Un Plan Local d'Aménagement est établi après une enquête foncière et sociale.

Le contenu du Plan Local d'Aménagement est défini par les dispositions de l'article 25 de la Loi n°1/09 du 12 août 2016 portant Code de l'Urbanisme, de l'Habitat et de la Construction au Burundi.

**Ingingo ya 43 :**
Indinganizo yerekana ingene amatongo y'ahanaka atunganywa igirwa hamaze gukorwa itohoza ryerekeye amatongo n'imibano.

Ibishirwa mu ndinganizo yerekana ingene amatongo y'ahanaka atunganywa bitomorwa n'ibitegekanijwe n'ingingo ya 25 y'Ibwirizwa inomero 1/09 ryo ku wa 12 Myandagaro 2016 rishinga Igitabu c'amategeko agenga itunganywa ry'ibisagara, uburaro n'inyubako mu Burundi.

**Article 44 :**
Les prescriptions relatives au Plan Local d'Aménagement du site s'imposent à toute personne physique ou morale, de droit privé ou de droit public, ainsi qu'à l'administration.

**Ingingo ya 44 :**
Ibiringo vy'uguta igihe bijanye n'Indinganizo y'akarere y'ugutunganya amatongo bikurikizwa ku muntu wese canke ishirahamwe, ryigenga canke rigengwa n'amategeko ya Reta, hamwe n'intwaro.

### Section 9 : De la mise en valeur des terrains

**Article 45 :**
Les constructions ne sont autorisées qu'après l'attribution des parcelles et l'obtention préalable d'une autorisation de bâtir.

**Article 46 :**
Après attribution des parcelles, les acquéreurs doivent respecter scrupuleusement le règlement d'occupation et le délai exigé pour la mise en valeur du terrain.

L'usage productif de la terre consiste en sa mise en valeur et en son exploitation continue, conformément aux dispositions contenues dans la section 1, chapitre 3 du Code Foncier du Burundi de 1986.

**Article 47 :**
La mise en valeur ou l'exploitation continue d'une parcelle s'apprécie en fonction des usages locaux (le règlement d'occupation) et des circonstances particulières.

## CHAPITRE III : DES DISPOSITIONS FINALES

**Article 48 :**
Toute personne n'ayant pas contribué à la viabilisation par intégration ou à la restructuration conformément aux devis établis par les services compétents dans un délai de trois (3) mois est sanctionnée sévèrement conformément à la législation en vigueur au Burundi.

### Agace ka 9 : Iyubakwa ry'amatongo

**Ingingo ya 45 :**
Ukwubaka birekurwa ari uko hamaze gutangwa ibibanza vyo kwubakamwo n'uruhusha rwo kwubaka.

**Ingingo ya 46 :**
Ibibanza vyo kwubakamwo bimaze gutangwa, ababihawe bategerezwa kwubahiriza atakivuyemwo itegeko rigenga ingene amatongo akorerwamwo n'ikiringo gitegerejwe c'ukuyubakamwo.

Ukuvyaza umusaruro itongo ni ukuryubakamwo n'ukuguma rikoreshwa ico ryagenewe, hisunzwe ibitegekanijwe mu gace ka 1, igice ca 3 c'Igitabu c'amategeko agenga amatongo mu Burundi co mu 1986.

**Ingingo ya 47 :**
Ukwubaka canke ukuguma ikibanza co kwubakamwo gikoreshwa bisuzumwa hafatiwe ku bisanzwe vyisungwa muri ako karere (itegeko rigenga ingene amatongo akorerwamwo) n'ivyiharijwe n'ico kibanza.

## IGICE CA III : INGINGO ZISOZERA

**Ingingo ya 48 :**
Umuntu wese aba atagize uruhara mu bikorwa vy'umugambi wa Reta w'ugushira mu matongo y'abantu ivyankenerwa bijanye n'ibisagara canke ukuyatunganya ukundi hisunzwe urutonde rw'ibitegekanywa gukorwa n'ibiciro vyavyo rugirwa n'ibisata bibifitiye ububasha mu kiringo c'amezi atatu (3) arahanwa vy'akarorero hisunzwe amategeko asanzwe akurikizwa mu Burundi.

**Article 49 :**
Toutes les dispositions antérieures contraires au présent décret sont abrogées.

**Article 50 :**
Le Ministre ayant l'urbanisme dans ses attributions est chargé de l'exécution du présent décret qui entre en vigueur le jour de sa signature.

**Fait à GITEGA, le 18 septembre 2026**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**PAR LE PRESIDENT DE LA REPUBLIQUE,**

**LE PREMIER MINISTRE,**

**Nestor NTAHONTUYE**

**LE MINISTRE DES INFRASTRUCTURES, DES LOGEMENTS SOCIAUX, DES TRANSPORTS ET DE L'EQUIPEMENT,**

**Ir. Egide NIJIMBERE. -**

**Ingingo ya 49 :**
Ingingo zose zahahora ziteye kubiri n'iri tegeko zirafuswe.

**Ingingo ya 50 :**
Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo gutunganya ibisagara ni we ashinzwe ishirwa mu ngiro ry'iri tegeko ritangura gukurikizwa kuva umusi rishiriweko umukono.

**Bigiriwe i GITEGA, ku wa 18 Nyakanga 2026**

**Evariste NDAYISHIMIYE.-**

**KUBW'UMUKURU W'IGIHUGU,**

**UMUSHIKIRANGANJI WA MBERE,**

**Nestor NTAHONTUYE**

**UMUSHIKIRANGANJI W'INYUBAKO, UBURARO RUSANGI, UGUTWARA ABANTU N'IBINTU N'IBIKORESHO,**

**Ir. Egide NIJIMBERE. -**